
# DUKINGIRE IKIYAGA COHOHA N'IBIBANZA BIGIKIKIJE KU NEZA YACU N'IY'URUNGANWE RWA KAZOZA

***Duhagurukire rimwe turwanye ibinyabuzima bikomoka mu mahanga, bihonya ubwoko bw'ibinyabuzima kavukire, bikabangamira uburimyi, uborozi n'uburovyi***




***Aho ikiyaga Cohoha gihereye***

Ikiyaga Cohoha, giherereye mu ntara ya Butanyerera mu buraruko bw'u Bruundi.

Ikiyaga Cohoha ni ubutunzi kama ngirakamaro ku bantu baba mu micungararo yaco, haba ku bijanye n'ubutunzi canke ibidukikije.



Umwimbu w'ibiyaga vyo mu Burundi n'ibinyabuzima bihabarizwa biri mu kaga kubera ukugwirirana kw'ibimera vy'ivyaduka bitabana n'ibindi binyabuzima, nk'ivyo mu mazi (**Jacinthe d'eau**) n'ivyo ku musozi nk'**umuhengerihengeri** benshi bita « **Mavyi ya kuku** » wibonekeza cane ku nkengera z'ikiyaga Cohoha

**Bimwe mu bimera vy'ivyaduka bibangamira ibindi**



***Umuhengerihengeri (Mavyi ya kuku)***

Ibimera mvamahanga birahungabanya cane ibice bikikije amazi n'ibice vy'amazi vy'ikiyaga cohoha, bigateza ingorane ku bimera n'ibikoko bihasanzwe, bikagira n'ingaruka mbi ku buzima bw'abantu baba ku nkengera zaco.

**Ingaruka z'ibinyabuzima mvamahanga bitabana n'ibindi**

- Birandagata ningoga



- Bibangamira uburyo urusobe rw'ibinyabuzima bumeze, bikabuza ibinyazbuzima kavukire guhema no gukura neza

- Biratanguranwa n'ibinyabuzima kavukire bikabizinga

- Bironona ibibanza kama bikabangamira umwimbu w'uburimyi n'uburobyi

**Ubuhinga bwo gutuza ibinyabuzima mvamakungu bitabana n'ibindi**

Uburyo bwo gukoresha amaboko canke ibikoresho mukurandura ivyo biterwa vy'umubano mubi





Uburyo bwo gusubiza ibidukikije uko vyahoze mukugwiza ibimera kama no gukingira isi



***Kugwiza ibimera kama***

Gukoresha ivyo binyabuzima mu buryo bufise akamaro:

Uburyo bwo kugenzura kenshi ahamaze guterwa n'ibinyabuzima mvamakungu vy'umubano mubi no kurwanya ico cose cotuma bivogera mu turere